# URUHONGORE KAMA RW'IGIHUGU RWA Ruvubu



**IKIBANZA GIKINGIWE GIFISE IBINYABUZIMA CISANGIJE HAMWE NIVYO GISANGIYE N'IBINDI BIBANZA, HABA MU BURUNDI CANKE MU KARERE BURIMWO**

**Ikibanza gikingiwe ca Ruvubu nico ca mbere mu Burundi haba mu bunini (ihegitari 50800) canke m'ubutunzi bw'ibikoko binini binini. Ivyo navyo ni nk'imbogo n'indonyi atahandi tukibisanga muri kino gihugu, imvubu, inzobe, ingona, inkoto, inkende, ibinyogoto, amasato, amafi, ingeregere n'ibindi vyinshi harimwo mbere n'ingwe.**
**Hambavu y'ibikoko, ishamba rya Ruvubu rigizwe hanini n'ivyatsi ivyo bikoko birisha hamwe rero n'ubwoko bwinshi bw'ibiti bugizwe n'umunazi, umukambati, umusekera, umugoti, umusagamba, umushanga, ingogo n'ibindi vyinshi.**



**Ugwuri rw'imbogo mw'ishamba**



**Ugwuri rw'indonyi mw'ishamba**

**Ivyo binyabuzima rero bifitiye akamaro kanini igihugu n'abakibamwo mu gukwega ingenzi, gukingira inkukura umwonga wa Ruvubu, kugwiza umwimbu w'ibiterwa kubera twa dukoko dutoduto tuguruka, gutanga akayaga keza, gikingira amasoko y'amazi n'isi biri muri iryo shamba n'ibindi.**



**Ingenzi ziriko ziraba ibikoko**

**Ico mwomenya kandi, ikibanza gikingiwe ca Ruvubu kirafasha abanyeshure bariko baranonosora ubumenyi bwabo na cane cane abari muri za Kaminuza zitandukanye. Ico kibanza kandi ni nk'inzu yivyo binyabuzima bitandukanye na cane ivyo atahandi tubisanga mu Burundi. Naho biruko, n'ukumenya ko hari ibinyabuzima bitakiri muri ico kibanza gikingiwe kubera ibikorwa vyinshi bigayitse abantu baba ku nkengera yaco bagiye barakora. Navyo ni nk'imiriro ya nyakanga yama yiha inkumbi uko umwaka atashe, uguca ibiti n'amakara, uruhigi rw'ibikoko n'uburovyi hakoreshejwe uburozi canke insenga zitemewe n'amategeko, gutema ivyatsi, kuragira mu kibanza gikingiwe n'ibindi. Mumenye rero ko ivyo vyose birahanwa n'amategeko agenga ibibanza bikingiwe mu Burundi.**



**Abanyeshure bari mw'ishamba**

***Twirinde gusambura, kwica ibikoko no guturira Uruhongore kama rw'igihugu rwa Ruvubu ku neza y'abarundi bejo***

**Projet « Biodiversité et Aires protégées »**
**Production de cette affiche rendue possible grâce au :**
**Programme des Nations Unies pour le Développement (PNUD) et le Fond pour l'Environnement Mondial (FEM)**

PNUD
Au service des peuples et des nations

GEF